1. Imbere ya vyose tubanje gukengurukira Imana Mushoboravyose yatuzigamye ikadushikana kuri iri sango ryiza kandi ridasanzwe muri iri shure Kaminuza ry'Igiporisi. Nihabwe icubahiro n'amashimwe biyibereye.

2. Ni akanyamuneza kubona twishikiye muri Kaminuza y'Igiporisi kugira dushikirize impapuro z'umutsindo imikangara n'imiyabaga yo mu mugwi ugira gatatu w'Intwazangabo n'impapuro ngaragazabumenyi ku Bibutsamana mu Giporisi c'Uburundi.

3. Twashaka rero gukeza Ubushikiranganji bujejwe iyi kaminuza hamwe n'Uburongozi bw'Igiporisi umw'umwe wese ku ruhara yagize kugira ngo mushike ku mwimbu ushimishije mwaronse. Turabakeje namwe mikangara n'imiyabaga y'Abaporisi ku ntambwe muhejeje gutera mu buzima bwanyu n'ubw'igihugu kibarindiriyeko vyinshi.

4. Nkuko twama tubivuga mu mpanuro twama dutanga, ihangiro nyamukuru ni ugushira ibikorwa imbere hamwe no kubumbatira amahoro n'umutekano. Iyo niyo nzira irashe idushikana kw'iterambere rirama. Musanzwe muzi ko amahoro n'umutekano ari kamwe gahara mu ruganda ntibacure.

5. Ni muri iyo ntumbero yo kwama na ntaryo duha ikibanza kidasanzwe amahoro n'umutekano, twaje gushikiriza impapuro z'umutsindo imikangara n'imiyabaga yo mu mugwi ugira gatatu w'Intwazangabo n'impapuro ngaragazabumenyi ku Bibutsamana mu Giporisi c'Uburundi.

Banyakwubahwa mwese,
Batumire bahire;

6. Gutsimbataza amahoro n'umutekano mu bihe tugezemwo bisaba imbere ya vyose Intwazangabo zifise ubuhinga n'ubumenyi bihagije. Ivyo navyo bikaba bishoboka ari uko hatunganijwe inyigisho za kaminuza zunganira inyigisho zijanye n'akazi k'Igiporisi, hadasizwe inyuma inyigisho nkarishabwenge. Ni muri yo ntumbero iri shure ryashizweho.

7. Nkako, Igihugu gifise Intwazangabo zizi ico zijejwe mu kazi kazo ka misi yose, kiraheza kikarangwamwo iteka n'itekane. Igiporisi cegereye Abenegihugu, cubaha kikubahiriza Amateka, amategeko n'amabwirizwa, kirangurana akazi ubuhinga bugezweko, ni kimwe Mu vyo ubushikirangaji bw'umutekano, gukinga no gutabara mu gihe c'ibiza n'isibe bujejwe.

8. Igihugu kirakeneye kandi Intwazangabo zifise ubumenyi n'ubuhinga bwo gutesha inkozi z'ibibi ububisha n'imigambi y'ububisha itandukanye. Ivyo bisaba ko inzego z'umutekano mu Burundi zija ku ryugero rw'izindi nzego zo mu karere no kw'isi yose. Ni co gituma iri Shure kaminuza ry'Igiporisi ritegerezwa gushira mu ngiro itegeko rigenga ayandi mashure ya Kaminuza mu Burundi.

Banyakwubahwa mwese,
Batumire bahire;

9. Turashimiye abantu bose baterereye kugira ngo izi nyigisho mu Giporisi c'Uburundi no muri Kaminuza y'Igiporisi zigere kuri uru rwego zigezeko. Natwe kubitwega, ntituzohengeshanya Gushigikira Igiporisi mu buryo butandukanye na cane cane mu nyigisho, gushika aho iri shure Kaminuza ry'Igiporisi riba Ishure ry'icitegererezo mu karere.

10. Nkako, mu bihe vya none, amashure y'Igiporisie nka « ISP» ahamagariwe gutera intambwe idasanzwe mu bijanye n'ubushakashatsi kugira abayigamwo baronswe ubumenyi n'ubuhinga bizobafasha guhangana n'ibibazo vya none badatamye.

11. Nico gituma Kaminuza y'Intwazangabo « ISP» itegerezwa gutanga ubumenyi bw'akanovera mu bice vyose vy'inyigisho kugira igihugu kizoronke intwazangabo zibushitse haba mu bumenyi, mu ndero, mu vy'Igiporisi, eka ivyo vyose bigize intwazangabo ibushitse yokwizigirwa mu Burundi no mu makungu.

12. Turakeje iyi mikangara n'imiyabaga ihejeje kuronswa impapuro z'umutsindo ku bwira n'ubukerebutsi bwayiranze muri iki kiringo yari imaze muri izi nyigisho.

Ntwazangabo mu Giporisi,
Bisongerezi namwe Baporisi mwese;

13. Muri iki gihe amakungu aharura Uburundi mu bihugu bifise ubushobozi n'ugushaka mu bijanye no kubanguranya, gutabara, kugarukana amahoro n'umutekano, gutsimbataza amahoro n'umutekano no kurwanya iterabwoba n'ubundi bibisha, birakenewe kandi ko hotunganywa inyigisho n'imyimenyerezo bijanye, na cane cane inyigisho n'imyimenyerezo bijanye no gukinga no kurwanya iterabwoba.

14. Turasavye kandi ko ibikorwa vyiza bitandukanye birangurwa n'Inzego zijejwe Umutekano no kwivuna abansi bitorangirira mu mvugo gusa, ko nyabuna vyokwandikwa mu bitabu, mu mareresi n'ibindi vyotuma iteka mudahengeshanya gutera Uburundi n'amakungu risamirizwa iyo isi iva ikagera, mbere bikanabera icitegererezo urunganwe ruzobakorera mu ngata.

15. Ikindi twashaka kubibutsa n'uko ata muheto canke inkinzo isumba Imana Mushoboravyose. Murama muyitura uko bukeye uko bwije, imisi yose na hose, ntizobatetereza. Tuboneyeho akaryo ko gukeza no gushimira Abaporisi bose bama bitwararika guterera agacumu k'ubumwe amadini n'amashengero bakomokamwo.

16. Ibikorwa vyiza nk'ivyo ni isoko ry'imigisha n'imihezagiro ku Baporisi bose, ku miryango yabo, mbere no ku gihugu cose. Vyongeye, Imana mushoboravyose niyo yonyene itanga ubwenge, ni nabwo butuma uwubufise aroranirwa, akama anesha mu ntambara zose.

Ntwazangabo mu Giporisi,
Bisongerezi namwe Baporisi mwese;

17. Urubanza nk'uru ni akaryo keza ko gutanga Impanuro. Nakare ngo **"Inkware zisezerana mu masesa":**

- Ejo aho bukera, bazobashikiriza abo murôngôra. Muze mubakunde, mububahirize, gutyo ntibazobatinya bazobubaha. Murame mubabera akarorero n'icitegererezo.

- Murame muhanuza abababoneye izuba kuko **"Nta mukuru abura mukuruwe"; "Inyundo irakura ntisumba iyayujuje";** nayo **"Igitugu kirakura ntigisumba izosi".**

- Murame murangwa n'umutima wo gukunda Igihugu n'Abenegihugu, mwirinde na ntaryo kugoba izo muragiye, kuko aribwo bubegito bwa mbere bw'umwungere.

- Murame mwisunga iragi rya ba sokuru ryo **kurya ibigabuye,** kandi mwibuke ko **"Mpa numve yishwe n'umurahu",** kandi ko **"Nkundakurya yariye igifyera kimumena itama".**

- Muramiza ku muzirikanyi ko Igiporisi ari imwe mu nkingi z'Igihugu. **"Inkingi imwe ntifata ikoma"**, murame mwitwararikika gukorana n'izindi nzego, muzirikane ko muri magiriranire.

- Mu kazi kanyu murashira imbere ukuri n'ingingo, mwirinde kugira nkunzi n'ikimenyane mu gutunganiriza ababituye kuko **"wanka kugwira ukuri ukaruhira kugwira ubusa".**

- Mu bikorwa vyanyu vya misi yose, murashira imbere **ijambo ry'ingingo** kuko ryubaka ibirama gusumba **ijambo ry'ingimba.**

- Ntimugatwarwe n'umutima w'igihababu n'amaronko, muraba nyabuna indongozi nziza zubaha kandi zubahiriza amateka n'amategeko agenga igihugu cacu, na kare **"inzara irahera ariko igihemu kibi ntigihera".**

- Umutamana Igiporisi c'Uburundi ciyambitse mu kugarukana no kubumbatira amahoro n'umutekano mu gihugu canke mu makungu ntihagire ikiwubambura; **ntimuzorekure iciza mwafashe.**

- Murama murangwa n'umutima w'urukundo hagati yanyu, mugendere imico myiza yakujije Uburundi n'Abarundi, mwime amatwi ba sesankuyoze, mwitwararike gusiga izina ryiza, mubere umutahe abuzukuru n'abuzukuruza.

- Namwe Bibutsamana, murame mwibuka ko atawutanga ico adafise. Imana muze muyigire umuvyeyi n'umugenzi, mukenyere ukuri, mwikwize ubutungane, ababona ivyo mukora n'abumva muvuga babafateko akarorero; mubabere urumuri n'inzira itazimiza.

- Muzirikane ko mu Burundi Imana twayihaye ikibanza ca mbere mu mategeko no mu buzima bwacu. Uruhara rw'Abibutsamana mu rwego rw'umutekano ni ntangere kuko ari bo bajejwe kwibutsa abajejwe umutekano ishaka ry'Imana mu bijanye no gucungera umutekano.

- Mwese mwame muzirikana na ntaryo ko Ijunja n'Ijambo Uburundi bufise uno musi, tubikesha Ubutwari n'Ubuhizi vyaranze abatuboneye izuba, maze twirinde kubatetereza.

- Mutegere na ntaryo ko atawuzokunda Uburundi kurusha mwebwe benebwo, mubukorere neza, mubuvuge neza mubwitwararike mu vyiyumviro, mu mvugo no mu ngiro.

- Inyigisho zo kuzirikana Igihugu twabahaye murazamiza ku muzirikanyi zongere zibabere inzira yo kugira bushakashatsi kugira mumenye vyinshi. Nakare **"Ntawuheka uwutisimbiza".**

- Aho muri hose muzokwame mwibuka ko Urugo ari Umushinge w'Igihugu. Guteramira Iteka n'Itekanene vy'Igihugu bihere mu ngo zanyu, mu minyango no mu kibano, mubere akarorero keza abandi.

18. Ikindi mwokwitwararika kumenya ni uko abansi b'Igihugu bazi neza ko Inzego zo kwivuna abanzi no kubungabunga umutekano ari Inkingi n'Inkinzo vy'Igihugu, barazi imizi Igihugu gishingiyeko, kuva na kera bamye bagerageza kumenera muri izo nzego, bibataye kuwâmâzi bagasimbira kw'isunzu ry'inzu, bagakinda bagaramye mu gutyoza izo nzego.

19. Ni mureme kandi muremeshanye; "Ibuye riserutse ntiryica isuka". Murabereka ko mwabahinyuye, bamaramare, bateshwe bate. Ntaco batakoze, ntaco batavuze, bazobita interahamwe n'ayandi mazina mabi menshi kuko "Uwugutuka ntagutorera". Yamara rero "Umuvumo ntubuza umuvumu kunaga", bazobacira icobo Imana nayo ibacire icanzo".

20. Imisi yose na hose, muramize ku muzirikanyi ko Igihugu ari ryo tunga riruta ayandi yose mwarazwe na basokuruza, kandi ko ari ryo tunga muzoraga abana, abuzukuru n'abuzukuruza banyu. Iryo tunga rero mwirinde kuryanjanjwako, muriteramire ijoro n'umurango.

Banyakwubahwa mwese,
Batumire bahire;

21. Mu gusozera, twagomba dusubire gushimira indongozi za Kaminuza y'Igiporisi, abigisha bose n'ababafasha mu gutunganya imirimo ya misi yose ku twigoro tudasanzwe twatumye iyi mikangara n'imiyabaga ishika kuri iyi ntambwe.

22. Turangije twongera gushimira bivuye ku mutima ubushikirangaji bw'umutekano, gukinga no gutabara mu gihe c'ibiza n'isibe ku birori vyiza baduteguriye, tutibagiye n'abateye iteka uru rubanza. Mwese hamwe, abari aha n'abatashoboye kuhashika, turapipfurije gusozerana urweze umwaka w'2018, no kwinjira mu mahoro n'akanyamuneza mu mwaka w'2019.

Niharambe Igiporisi c'Uburundi;
Niharambe Kaminuza y'Igiporisi;
Imana ibahezagire!